# Uwufise inguvu n'imirya koko, si urya azi gukubitana imyereka, mu vy'ukuri uwufise inguvu n'imirya koko, ni urya yigumya igihe ashavuye, ntaheze ngo ashire aho ishavu rishize

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwufise inguvu n'imirya koko, si urya azi gukubitana imyereka, mu vy'ukuri uwufise inguvu n'imirya koko, ni urya yigumya igihe ashavuye, ntaheze ngo ashire aho ishavu rishize".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratomora ko inguvu nyazo atari inguvu z'umubiri n'imirya, canke ko atari urya muntu ashoboye gukubita umwereka uwundi mu bafise inguvu n'imirya, maze akamunaga hasi, ariko ko uwufise inguvu n'mirya ari urya ashoboye kwigumya akaganza umutima wiwe igihe ashavuye; ico kikaba ari icemezo c'uko ashoboye kwigumya mu kudashira aho ishavu rishize, n'uko ashoboye kandi gutsinda inyosha mbi za shetani.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee